# Igipimo Rusangi c'Amanota ku Vyigwa vy'Intango

Igipimo Rusangi c'Amanota, nk'uko biboneka aha musi, gikoreshwa mu gutanga icegeranyo c'intambwe umunyeshule yagize mu Gice c'Intango c'umwaka wa 6 mu (Preliminary Stage 6 year) mashule yose ya NSW.

Igipimo Rusangi c'Amanota gisigura ukugene umunyeshule yakoze ku rugero rumwe rumwe muri zitanu.

| Amanota | Igipimo Rusangi c'Amanota ku Vyigwa vy'Intango |
|---|---|
| A | Umunyeshule arerekana neza ko atahura cane icigwa hamwe n'intumbero yaco, agakoresha ubwenge n'ubumenyi bwisumbuye mu buryo butandukanye. Umunyeshule arerekana kandi ko ashobora gukoresha umutwe mu kwihweza no gusuzuma ivyo akora. Umunyeshule arashikiriza neza cane ivyiyumviro n'inkuru bihanitse. |
| B | Umunyeshule arerekana neza ko atahura icigwa irya n'ino hamwe n'intumbero yaco, agakoresha ubwenge n'ubumenyi bugaragara mu buryo butandukanye. Umunyeshule arerekana kandi ko ashoboye gukoresha umutwe mu kwihweza no gusuzuma ivyo akora. Umunyeshule arashikiriza vyumvikana ivyiyumviro n'inkuru bihanitse. |
| C | Umunyeshule arerekana neza ko atahura icigwa hamwe n'intumbero yaco, agakoresha ubwenge n'ubumenyi bugaragara mu buryo butandukanye. Umunyeshule arerekana kandi ko ashobora gutoratoranya no gutahura inkuru, akongera agashikiriza ivyiyumviro bijanye mu nzira irashe. |
| D | Umunyeshule arerekana bibayebaye ko atahura icigwa hamwe n'intumbero yaco, agakoresha ubwenge n'uburyo bumenyerewe. Umunyeshule arerekana kandi ko ashobora gutoratoranya no gutahura inkuru no kuyikoresha hanyuma, agashikiriza ivyiyumviro abicishije mu kwigana. |
| E | Umunyeshule arerekana ko azi icigwa n'intumbero yaco nk'uwugitangura kwiga, akongera agakoresha ubwenge n'ubumenyi bubayabaye babanje kumwereka uko akora. Umunyeshule arerekana kandi ubwenge bw'intangamarara mu kwigana inkuru yumvise canke mu gushikiriza ivyiyumviro. |

| Grade | Common Grade Scale for Preliminary Courses |
|---|---|
| A | The student demonstrates extensive knowledge of content and understanding of course concepts, and applies highly developed skills and processes in a wide variety of contexts. In addition the student demonstrates creative and critical thinking skills using perceptive analysis and evaluation. The student effectively communicates complex ideas and information. |
| B | The student demonstrates thorough knowledge of content and understanding of course concepts, and applies well-developed skills and processes in a variety of contexts. In addition the student demonstrates creative and critical thinking skills using analysis and evaluation. The student clearly communicates complex ideas and information. |
| C | The student demonstrates sound knowledge of content and understanding of course concepts, and applies skills and processes in a range of familiar contexts. In addition the student demonstrates skills in selecting and integrating information and communicates relevant ideas in an appropriate manner. |
| D | The student demonstrates a basic knowledge of content and understanding of course concepts, and applies skills and processes in some familiar contexts. In addition the student demonstrates skills in selecting and using information and communicates ideas in a descriptive manner. |
| E | The student demonstrates an elementary knowledge of content and understanding of course concepts, and applies some skills and processes with guidance. In addition the student demonstrates elementary skills in recounting information and communicating ideas. |